UMURWI W'AMATOHOZA KU BURUNDI

Burundi : Umurwi w'amatohoza ku Burundi uratewe amakenga n'umwidegemvyo udasanzwe n'ukudahanwa kw'Imbonerakure

Jeneve, igenekerezo rya 5 Nyakanga 2018 – Ivyaha vyo guhonyanga agateka ka zina muntu harimwo ivyaha vy'agahomerabunwa, vyabandanije bikorwa mu Burundi muri 2017 na 2018. Mu cegeranyo uhejeje gushikiriza uno munsi, Umurwi w'amatohoza ku Burundi washinzwe na ONU uradondora ivyaha vy'ubwicanyi ndengerabutungane, ivyaha vy'ihagarikwa n'ifungwa rinyuranye n'amategeko, ivyaha vyo gusinzikarizwa ubuzima no gufatwa bunyamaswa, amabi afatiye ku gitsina n'ivyaha vy'inyuruzwa n'izimanganywa. Umurwi w'amatohoza uratewe amakenga n'uko uburenganzira bwo kwishira no kwizana mu vya politike bwabandanije bugabanuka hamwe n'uko ubukene ntangere bwiyongereye mu banyagihugu.

Nk'uko Doudou Diène, Umukuru w'Umurwi w'amatohoza avyemeza : « Ivyaha vyo guhonyanga agateka ka zina muntu vyatohojwe n'uwo murwi mu cegeranyo cawo cambere vyabandanije bikorwa muri uyu mwaka uheze. Uburyo bumwe bumwe bukoreshwa nko kuzimanganya ibiziga canke kwikinga ijoro butuma ivyo vyaha bitagaragara, ariko si kuvuga ko bitakozwe. Amatora y'Ibwirizwa Nshingiro aherutse kuba muri Rusama 2018 hamwe n'imyiyamamazo y'amatora azoba muri 2020 vyabaye mu cuka c'iterabwoba, co guhohotera umuntu wese akekwa kuba atavuga rumwe na Leta canke adasangiye ivyiyumviro n'umugambwe uri ku butegetsi.

Umurwi w'amatohoza wegeranije intahe zirenga 900 z'abakorewe ivyaha vyo guhonyanga agateka ka zina muntu, amasura hamwe n'abakekwa kuba barakoze ivyo vyaha harimwo intahe zirenga 400 zegeranijwe mu mwaka uheze. Uyu mwaka, Leta y'u Burundi yarongeye kwanka kugira ibiganiro no kugira imigenderanire n'Umurwi w'amatohoza ku Burundi naho uyo murwi atako utagize.

Nk'uko Françoise Hampson, umwe mu bagize uwo murwi avuga ashimitse ati : « Urwaruka rwegamiye umugambwe uri ku butegetsi bita Imbonerakure, rwabandanije rugira uruhara rukomeye mu guhohotera ikiremwa muntu, ivyo bikaba binyuranye n'amategeko kandi bakabikora ata kwikanga guhanwa. Umurwi w'amatohoza warashoboye kwemeza ko ivyo babikora Leta yabibategetse canke icungera ingene babikora. Imbonerakure zirahohotera, ziracungera kandi ziratera ubwoba abanyagihugu kandi ziragirizwa ivyaha vyinshi vyo guhonyanga agateka ka zina muntu. Akenshi baba bafatanije n'abari mu nzego z'igipolisi n'abakozi bo mw'ipereereza, izo nzego zikaba arizo zabandanije zigira uruhara ntangere mw'itosekaza ryenyuje ry'agateka ka zina muntu mu Burundi ».

Imbonerakure zagize uruhara ntangere, cane cane mu kwinjiza ku gahato abanyagihugu mu mugambwe uri kubutegetsi bikaba bikoreshwa mu kurwanya abatavuga rumwe na Leta. Icungwa ry'umwidegemvyo w'abanyagihugu rikorwa n'abategetsi b'u Burundi bafatanije n'Imbonerakure ryariyongereye cane kandi mu bisata vyose vy'ubuzima bwa misi yose. Uburenganzira bw'ukwishira n'ukwizana kw'abenegihugu, duhereye ku burenganzira bw'ugushikiriza ivyiyumviro, uburenganzira bwo kuja mu mashirahamwe n'uburenganzira bwo kwishira no kwizana bwabandanije bugabanuka cane. Françoise Hampson, yongeye avuga ati : « Igitigiri kinini c'abanyamakuru bigenga baracari mu buhungiro kandi n'abandi barabakurikiye uno mwaka. Abarwanira agateka ka zina muntu nabo nyene ntiborohewe. Nkuko vyagaragaye mu gihano co gufungwa imyaka 32 cakatiwe Germain Rukuki inyuma y'urubanza rutakurikije amategeko ».

Nk'uko Lucy Asuagbor, uwundi mu bagize uwo murwi abisigura : « Ingorane za politike zihitiye kuva muri Ndamukiza 2015 zaragize inkurikizi mbi cane ku buzima bw'abarundi no ku burenganzira mu vy'ubutunzi n'imibano. U Burundi bwarasubiye inyuma mu nzira y'iterambere – buva mu murwi w'ibihugu biri mu nzira y'iterambere buja mu murwi w'ibihugu bikeneye imfashanyo ikomeye *(urgence humanitaire)*. Igitigiri c'abanyagihugu bakenye mu bijanye n'imfungurwa, amazi n'amagara kiguma ciyongera. Leta yaragize uruhara runini mu gusongera isibe muri ubwo bukene mu kugwiza amakori n'intererano zitangwa k'ubushake canke ku gahato, akarorero ni nk'izashizwe ho kubera amatora ya 2020. Leta yarongeje amafaranga yategekanijwe ku vyerekeye u kwivuna abansi no gucungera umutekano, cane cane ku nzego za Leta zimonogoje mu guhonyanga agateka ka zina muntu aho yoyageneye ibiraba imibano. Ibiturire hamwe n'inyuruzwa ry'amafaranga ya Leta gushika mu nzego zo hejuru za Leta zaravyunuye ».

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryatohojwe n'Umurwi w'amatohoza ryoroherejwe n'ikokeza ryajoreshejwe kenshi, Umukuru w'Igihugu adasigaye inyuma, rihamagarira kwankana no gutoteza ryaranzwe n'ukudahana ivyaha kwatse indaro mu gihugu. Ku bwa Doudou Diène, « Inzego z'Ubutungane z'u Burundi nta ugushaka canke ubushobozi zifise bwo kugira amatohoza agaragaza abakoze ivyaha, bwo guhana uwo wese yoba yarakoze ivyaha vyo guhonyanga agateka ka zina muntu. Ubu nizo zikoreshwa n'urwego rw'Intwaro mu guhohotera abatavuga rumwe na Leta. Aho zocungereye ikurikizwa ry'amategeko, n'iyubahirizwa ry'amateka ngenderwako canke aho zogaragaje abakoze ivyaha, inzego z'ubutungane zirapfukapfuka ivyaha n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu vyakozwe n'urwego rw'igipolisi, n'urwego rw'iperereza n'Imbonerakure mu kuzihemba n'ukudahanwa ».

Umurwi w'amatohoza waragize urutonde rw'abakekwa kuba barakoze ivyaha vy'agahomerabunwa vyo guhohotera kiremwa muntu. Uzoshikiriza urwo rutonde urwego urwari rwo rwose rwigenga ruzogira amatohoza canke ruzorondera guhotoza inkuru zerekeye ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu n'amabi vyakozwe mu Burundi kandi ruzokingira amasura.

Umurwi w'amatohoza urateye akamo abantu bose vyega kugira ngo ihonyanga ry'agateka ka zina muntu rihagarikwe bidatevye. Urasaba Leta y'Uburundi kurengutsa imbere y'ubutungane abakozi ba Leta n'Imbonerakure boba barabigizemwo uruhara. Urongeye kandi gusaba Leta « gusubiramwo bimwe biboneka itunganywa ry'Igisata c'ubutungane kugirango gikore ata gitsure, gihagararire ukuri kandi mu buryo bubereye no gusubiramwo itunganywa ry' igisata c'umutekano ari naco cagize uruhara runini mu mabi y'agahomerabunwa yakozwe mw'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu.

Umurwi w'amatohoza urasavye kandi Inama ya ONU ijejwe agateka ka zina muntu kwongereza ikiringo c'umwaka c'uwo Murwi. Nk'uko Doudou Diène avyemeza : "Umurwi wacu nirwo rwego mpuzamakungu rwigenga kandi ruhagarikiye ukuri ruriko ruratohoza ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu mu Burundi kandi rudoma urutoke abakekwa kuba barakoze ivyo vyaha. Muri iki kiringo Uburundi buriko buritegurira amatora yo muri 2020, birakenewe cane ko ibikorwa vy'Umurwi w'amatohoza vyobandanya, cane cane mu gihe hari amabi n'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bimaze kugaragara bijanye n'ayo matora ariko arategurwa."

****

<u>Intangamarara</u>
Umurwi w'Ishirahamwe Mpuzamakungu ujejwe kutohoza amabi yoba yarakozwe mu Burundi wagenywe n'ingingo 33/24 y'Inama Mpuzamakungu ya ONU ijejwe kubahiriza agateka ka zina muntu kw'igenekerezo rya 30 Nyakanga 2016 kugira utohoze ido n'ido ingene agateka ka zina

muntu kandagaye mu Burundi kuva mu kwezi kwa Ndamukiza 2015, umenyeshe abakekwa kuba barakoze ivyo vyaha kandi utange intumbero y'ibikwiye gukorwa. Uwo murwi warongerejwe ikiringo c'uwundi mwaka kw'italiki ya 29 Nyakanga 2017.

Uwo murwi ugizwe n'abantu batatu : Doudou Diène (Senegal), Lucy Asuagbor (Kamerun) na Françoise Hampson (Ubwongereza).

Uyo Murwi uzoshikiriza icegeranyo ca nyuma imbere y'Inama y'Ishirahamwe Mpuzamakungu ya ONU ijejwe kubahiriza agateka ka zina muntu – mu kiganiro kizoba kw'igenekerezo rya 17 Nyakanga 2018 in Jeneve.

Ikiganiro kizoshikirizwa abamenyeshamakuru na babiri mu bagize uwo Murwi w'amatohoza kizosamirana ido n'ido i Jeneve kw'igenekerezo rya 5 Nyakanga 2018 isaha zitanu zo mu gitondo kuri urubuga : http://webtv.un.org/

Ico cegeranyo nyezina cakozwe n'uwo murwi, kiri kumwe n'ibibazo vyabajijwe hamwe na bimwe bimwe mu vyashikirijwe n'abakorewe ayo mabi. Uwushaka kubisoma kuva kw'isaha zine n'iminota mirongo ine n'itanu kuri urubuga : http://www.ohchr.org/EN/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/TheReportHRC36.aspx

Uwukeneye kumenya ibiranga abahinga bagize Umurwi w'Ishirahamwe Mpuzamakungu ujejwe kutohoza amabi yoba yarakozwe mu Burundi arashobora kubisoma kuri urubuga : http://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/Commissioners.aspx#Ouguergouz

Urwandiko rw'ingingo A/HRC/RES/33/24 ruri kuri urubuga : http://ap.ohchr.org/documents/dpage_e.aspx?si=A/HRC/RES/33/24

Uwuserukira abamenyeshamakuru: (Jeneve) Claire Kaplun, Office of the UN High Commissioner for Human Rights (OHCHR), Tel: +41-2 917 9056, email: ckaplun@ohchr.org